# Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahishuriwe ifise imyaka mirongo ine

Mu vyakiriwe na Mwene Abasi (Imana Allah Ibishimire bompi) yavuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahishuriwe ifise imyaka mirongo ine, iraheza iguma i Makka imyaka cumi n'itatu; hanyuma itegekwa kwimuka ica yimukira i Madina, iraheza ibayo imyaka cumi, hanyuma (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahavuye ipfa".

[صحيح] [متفق عليه]

Mwene Abasi (Imana Allah Ibishimire bompi) arigana ko Qor'ani yahishuriwe Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), hanyuma irungikwa kuba Intumwa ifise imyaka mirongo ine, iraheza iba i Makka imyaka cumi n'itatu mu nyuma y'ihishurirwa, hanyuma itegekwa kwimukira i Madina, iraheza irimuka maze ibayo imyaka cumi, mu nyuma rero (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahavuye ipfa ifise imyaka y'amavuko mirongo itandatu n'itatu.



النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY
لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC E-Da'wah Committee